www.kidworship.kr

# Zakayo

- 13th story -



83Page

**Uwuvuga** Mu gisagara Yeriko hari umutozakori mukuru yitwa Zakayo yari mugufi cane. Umutozakori yegeranya amakori y'abantu. Zakayo ntiyatoza amakori abatunzi gusa ahubwo n'abakene yarayabaka ku nguvu. Bituma abantu batamukunda bakamwita umunyavyaha.



84Page

**Uwuvuga** Uko abantu barushiriza kumwanka niko yabahasha.

**Zakayo** Ntaco muri imbere yanje! -Nukuri ikintu gikenewe muri iyi si ni amahera! Ntimundabe ubugufi! Sinzovyihanganira!!

**Uwuvuga** Zakayo abigira umwuga kuja mu bantu abahasha imisi yose.

**Zakayo** Riha amakori yanyu! Yarihe ubu nyene!

**Umuntu 1** Woshobora kuduha imisi mikeyi? Nta n'ivyo kurya bikwiye vyo kugaburira abana uku kwezi! Turakwinginze utubangire akanya gato..

**Zakayo** Ivyo jewe birandaba? Niba mudafise amahera mwapfuma mumpa n'imbuto hoho! Atari uko ndabapfungisha ubu nyene!

**Uwuvuga** Muri ubwo buryo Zakayo anyonyeza amakori mu bantu aratunga cane. Abantu bose barushiriza kumwanka, bituma Zakayo yama ari nyamwigendako.



85Page

**Uwuvuga** Umusi umwe Yesu aza I Yeriko! Zakayo yari ahahamiye kubona uwo Yesu kuko yari amaze kumva ivyiwe n'uko yakijije abarwaye mu bisagara vyinshi akigisha n'ijambo ry'Imana.

**Zakayo** Ndibaza Yesu ninde! Naje nogenda nk'abandi. Nshaka kumenya uwo ari we.

**Uwuvuga** Zakayo ntiyakekeranya yihuta kuraba Yesu. Ariko ntivyakunda ko ashikira Yesu kuko ishengero ryinshi ryaza ryakoranye.

**Zakayo** Mbe nkore iki? Iyaba hoho nari nsumba aha uburebure, naca nshobora kubona Yesu…Ah-ha! Ni vyo!


87Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Zakayo aca yiyumvira! |
| Zakayo | Duga-o! Duga-o! Nuriye iki giti c'umusukoni ndashobora kubona Yesu! Duga-o! Duga-o! |
| Uwuvuga | Ni uko, Zakayo ari mu gashongero k'ico giti aca ashobora kubona Yesu! |
| Zakayo | Ah- hariya, uriya mugabo yambaye ikanju yera ategerezwa kuba ari Yesu~ |
| Uwuvuga | Igihe Zakayo yari yitegereza Yesu, Yesu yaciye ahagarara, araba hejuru kuri ca giti hanyuma abarira Zakayo. |
| Yesu | Zakayo, ururuka n'ingoga! Uyu musi ndara iwawe! |
| Uwuvuga | Yesu yavugusha Zakayo nk'uko umengo bari incuti zaheruka-na kera. Zakayo aca yururuka rimwe na rimwe hanyuma aja kwakira Yesu n'umunezero mwinshi. |

........................................................................................................


88Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Abantu bose babibonye batangura kuvugira mu ntama tama: |
| Umuntu wa 2 | Ni gute Yesu yoja mu nzu y'umunyavyaha nk'uyo! |
| Umuntu wa 3 | Kukaba nkako, Zakayoarikunda cane! |
| Uwuvuga | Ariko Yesu yirengangiza ubwo bunyongoshwa. Zakayo yakira mu nzi iwe Yesu n'umutima wiwe wose aramubwira: |
| Zakayo | Mukiza, ngaha ubu nyene ntanga icakabiri c'ivyo ntunze gi-habwe aboro, kandi nimba uwo narenganije wese ikintu na kimwe, nzomuriha incuro kane ikiguzi ca vyo. |
| Yesu | Zakayo! Uyu musi ukwizera kwaje mu nzu yawe. Icanzanye ni kurondera no gukiza uwazimiye. |

........................................................................................................


89Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Zakayo yubahiriza ico yasezeranye hanyuma atanga icakabiri c'ivyo atunze abiha abakene yongera asubiza n'abo yari yararenganije. Zakayo ahinduka umuntu umuntu mushasha amaze kwizera Yesu. |